15 GITUGUTU 2020

# UBUTORE N'ITEKA RYACU BISHINGIYE KU MANA RUREMA ITUBAMWO KANDI BIVOMERWA N'IGISABISHO

Tereza wa Yezu Mweranda

# UBUTORE N'ITEKA RYACU BISHINGIYE KU MANA RUREMA ITUBAMWO KANDI BIVOMERWA N'IGISABISHO

Ncuti bakunzi b'Imana dusangiye urugendo rutuganisha ku bweranda, uno mwaka w'2020 turamutse duhimbaza Yubire y'imyaka mirongo itanu iheze Umweranda Papa Paolo wa VI atangaje abakenyezi babiri ba mbere bashizwe mu murwi w'abigisha b'Ekleziya mirongo itatu na batanu bazwi gushika iki gihe. Abo bakenyezi batangajwe ubwa mbere ko ari abigisha b'Ekleziya ni Tereza wa Yezu ari we w'i Avila kw'itariki 27 z'ukwezi kw'icenda mu 1970 na Katarina w'i Sieni kw'itariki zitatu z'ukw'icumi muri uwo mwaka nyene.

## Intangamarara

**A.** Turi mu mwaka wa Yubire ihambaye rero, kuko Tereza wa Yezu ari umwigisha w'Ekleziya w'umukenyezi kandi abakenyezi bakiri bane gusa bashizwe muri urwo rwego.

1. Tereza w'i Avila ari we Tereza wa Yezu (1515-1582) yagize ubunywanyi bukomeye n'Imana. Twovuga ko ari yo yamwifatiye ukuboko kuva mu bwana bwiwe, ikamwigarura ageramiwe n'ugutirigana, gushika aho imwibaburirako ikamugira umugenzi pfampfe. Na we arayikundira arayiha ubutagikebaguzwa, mu buzima bushingiye ku gisabisho kikaba ari co kibuvomera.

Yarongeye arayigamburukira mu kuvugurura umuryango w'abakarmelita n'abakarume, ashinga imibano ishika kw'icumi n'itanu y'ababikira n'iyindi ibiri yashigikiye ishingwa mu myaka 20 gusa, n'aho yakunda gukikwa n'amagara (1962-1982)[1]. Yasize inyandiko rurangiranwa mu gufasha abemera gutera bagana Imana kuri iyi si[2].

2. Katarina w'i Sieni (1347-1380) yari umulayike w'umudominikanikazi. Yagize ubuzima bw'ukunywana na Yezu kristu cane burimwo n'ibiganiro bagiriranira, kandi arabibwira ababimwandikira. Arazwi cane ku rukundo rw'Ekleziya rwamururumbamwo, rugatuma ayisabira atiziganya mu gihe yari ibangamiwe n'uguhakwa gusubira kwicamwo ibice; ivyo bihava bivamwo n'ubutumwa bw'ukujijura Papa Gregori w'XI yagira icenda mu ba Papa bari bashinze icicaro cabo i Avinyone mu Bufaransa, ngo aveyo asubire i Roma.
3. Tereza w'Umwana Yezu wo mu Maso Heranda (1873-1897) arazwi cane hano mu gihugu cacu; kanatsinda haheze imyaka ibiri gusa atugendeye mu bisigi vyiwe hano mu Burundi no mu Rwanda.

---

[1] Raba https://balises.bpi.fr/therese-davila-premiere-femme-docteur-de-leglise

[2] N'aba anglikani bamuzi ko ari Umwigisha w'ukwemera (Teacher of the faith)

4. Hildegarde w'i Bingen (1098-1179) yabaye umubikira rurangiranwa w'umubenedigitinekazi wo mu kinjana c'icumi na kabiri. Yaranzwe canecane n'ubuzima bwuzuye ingabirano zidasanzwe z'ukunywana n'Imana. Yaranzwe kandi n'ingabirano y'ukurongogora abandi akayoborana ububangutsi n'ubutwari. Ndetse mbere hari abamuzi kubera yabaye rurangiranwa mu kuvuza imiti iva mu biterwa, kuko uretse no kubigirira ingabirano, yari yarajijutse ko amagara y'umutima ajana n'ay'umubiri.

**B.** Turi mu mwaka wa Yubire ihambaye cane, duhimbaza tuvugiriz'inzamba n'impundu Imana muri Liturjiya y'itariki 15 gitugutu, kuko umwigisha w'Ekleziya aba yarasigaranye abakristu bose inyigisho zihambaye, ziguma zirera ukwemera kwabo uko imyaka igenda irakwirikirana.

Muri izo nyigisho nyinshi Tereza wa Yezu yadusigaranye, tugiye guca ku mayange imwe gusa, duhereye ku vyo yanditse mu gitabu citwa *Ingoro y'inkoramutima*[3], kigizwe n'ibice indwi Tereza wa Yezu yita ivyumba kuko n'ubundi ingoro igirwa nivyumba, tukaba tuza kwibanda ku vyanditswe mu *Vyumba vya mbere*[4] ; muri ivyo vyumba na ho tukaba tugarukira ku buryo atangura ivyo avuga mu

[3] *Château intérieur*

[4] *Premières Demeures*

kigabane ca mbere[5] c'ico gice kugira ngo ahanini tureke Tereza we nyene abe ari we atwiganira ico tuza kuyaga. Na co ni iki: Ubutore n'iteka ryacu bishingiye kuri Rurema yashatse kuba muri twebwe kandi ivyo na vyo tukavyerekwa kandi bikavomerwa n'igisabisho. Tumwumvirize rero abituyagire

## 1. Ishingiro rya kamere, ubutore n'iteka ry'umuntu

### *Dutege amatwi Tereza*

> 1Uno musi nariko ndasenga nazambira Umukama wacu ngo avuge mu kibanza canje, kuko jewe sinabona uko novuga uko bikwiye n'aho nohera kugira ngo ngamburuke, ni ho naciye ndonka ivyo ngiye kuvuga mpereye kw'ishingiro ryavyo, naryo rikaba ari ukwumva tugategera umutima wacu nk'ingoro igizwe n'amabuye y'agaciro abonerana kandi abengerana[6], igizwe n'ivyumba vyinshi, nk'uko mw'ijuru hari ibibanza vyinshi[7].

---

[5] Muri ico kigabane havugwamwo ubwiza n'agateka k'imitima yacu. Gukoresha ikigereranyo c'ingoro n'ivyumba, bidufasha gutegera, bidusigurira ko ukubitegera bigirira umuntu akamaro kandi bituma amenya ingabirano duhabwa n'Imana, kandi ko umuryango w'iyo ngoro ari igisabisho.

[6] Diamant

[7] «Mu ngoro ya Data, hari ibibanza vyinshi. Iyo bitaba vyo, mba ndababwiye ko ngiye kubategurira ikibanza?» (*Joh* 14, 2)

Tubiravye neza babikira dusangiy'urugendo mu kwihebera Imana, umutima w'intungane si ikindi atari iparadizo Imana ivuga ko isangamwo ibiyinezereza vyose[8]. None mubona gute icumba gihimbara Umwami w'ububasha bungana gutyo, yikwije ubumenyi nk'ubwo, abengerana ubutore kuko ata kanenge kamwegera, atunze ivyiza vyose? Simbona ikindi nogereranya ubwiza bw'umutima n'ububasha bwawo, kandi mu vy'ukuri aho ubwenge bwacu bugera n'aho bwoba bwinshi burasigwa mu gutegera Imana, yo yivugiye ko yaturemanye agashusho kayo ikadusesha na yo[9].

Ivyo niba ari vyo kandi nta nkeka ko ari vyo, nta mpamvu yotuma twiruhisha ngo turiko turarondera gutegera ubwiza bw'iyo ngoro; kuko ko hari ubudasa bunini

---

[8] Aha Tereza afise mu bwenge hamwe mu kigabane c'umunani c'*Igitabu c'Imigani* kiririma Ubwitonzi bufashwe nk'umuntu yari iruhande y'Imana irema kandi bukaba buhimbarwa n'ukubana n'abana b'abantu: «[27]Igihe yashiraho amajuru ni ho nari ndi, n'igihe yaca umuzingi ku nyenga y'inyenga. [28]Igihe yegeraniriza ibicu mu kirere, n'igihe yakomeza amasoko y'inyenga; [29]mu gushingira ikiyaga urubibe,
amazi ntaheze ngo arenge inkombe yaco; mu guca imishinge y'isi, [30]nari iruhande yiwe nk'uwushinzwe igikorwa, nkamubera agahimbare buri musi, niyereka imbere yiwe igihe cose, [31]**niyereka mu biremwa biri kw'isi yayo, kandi mpimbawe hamwe na bene Adamu**».

[9] Raba mu Gitabu c'*Amamuko* 1, 26: «Imana ivuga iti: "**Tugire umuntu tumwishushanyeko, ase natwe**, kandi agabe ifi zo mu kiyaga, inyoni zo mu kirere, ibitungwa, ibikoko vyo mw'ishamba be n'ubwoko bwose bw'ibinyogomba hasi"»

butandukanya Imana Rurema n'ikiremwa, iyo ngoro na yo ikaba ari ikiremwa, dupfa kuvuga gusa ko twaremanywe ishusho ry'Imana Rugiravyose ikadusesha na Yo, kugira ngo dutegere iteka n'ubwiza vy'agakura vy'umutima.

Birababaje rero kubona tudategera ico turi, kubera ikosa n'ukwanjanjwa kwacu.

## *Tuzirikane gatoyi*

Muri make Tereza avuze ati: «**Menya ico uri**»[10]. Abize ibintu n'ibindi baharira iryo ryungane umuntu w'umugereki w'igihangage mu bumenyi mbagarabwonko[11] yitwa Socrate (469–399). Ni iryungane ryari ryanditse ku gisimbaryango c'ingoro y'i Delfi. Iyo ngoro yari yahariwe ikimana Apolloni. Abagereki bavuye mu ntara zose baza bagana iyo ngoro kwumviriza indagu y'umusaserdotikazi, bakayifata nk'inyishu y'ico kimana ku bibazo vyabo.

Ni guki none bahariye uwo munyabwenge iryo ryungane? Ni uko mu bihangange mu bumenyi mbagarabwonko bazwi mu gice c'uburengerazuba bw'isi, Socrate ari we yigisha ashimikira ku gufasha umuntu kumenya ico ari, yirinda kumutamika ivyo atiyumviriye wenyene, akamufasha

---

[10] «Connais-toi toi-même» (ivuye mu kigereki γνῶθι σεαυτόν, *gnõ̃thi seautón*).

[11] Philosophie. Hari n'abashima kubwita *Nkaburabwenge*

amubaza ibibazo bimufasha kwiyumvira. Benshi rero bibaza ko uburyo bwiza bw'ukwigisha ufasha umuntu kumenya ico ari ari we bwakomotseko[12]. Aba kera barashimikira cane kuri iyo ntango kugira ngo umuntu atere imbere mu bumenyi. No muri iyi myaka turimwo, nko mu nyigisho zijanye n'ukwihebera Imana, ni vyiza ko umuntu yobanza akamenyerezwa neza kumenya ico ari vy'ukuri, ibimufasha kugitohora n'ibimuzitira mu kukimenya no kucerekana. Tereza na we ntiyatanzwe guhera aho mu kwandika igitabu ciwe c'agatangaza mu kwerekana, uko umuntu agenda aratera imbere mu kunywana n'Imana kuva ku ntambwe ya mbere gushika ku y'indwi ari yo ya nyuma. Uko umuntu amenya ico ari vy'ukuri, ni ko ibisigaye bigenda biraja mu muco werekeye ubuzima bwiwe.

Tereza rero muri iyo ngendo ameze nka Agostino mweranda (354-430), asa n'uwutubwira ati: ukuri kwawe ntikuri hanze kuri muri wewe. Uko umuntu atera arondera ico ari muri we, ni kwo aba ariko ararondera inkingi nyayo y'ubwenge

---

[12] Aha nshaka kuvuga ubwo buryo kuko bashaka kuvuga n'uko abakristu babwiganye bavuga *Socratisme chrétien.* Abahinga mu nyandiko za Tereza w'i Avila na bo bavuga ngo *socratisme thérésien.* Si ukuvuga rero ko baba binjiye mu vyiyumviro vya Socrate canke mu buryo yoba yarigenza. Uwoshaka kugira iciyumviro kijanye n'ivyo yoraba nko muri iyi nyandiko: Guillaume BADY, « Socrate entre païens et chrétiens : procès sans fin ou héritage commun ?», in Revue des Études grecques 127/2 (2014), p. 377-395.

n'ubwitonzi. Tereza turumva y'uko ahera ngaho agatera aturoresha kw'itsitso: **Menya ico uri, aho agateka n'ubutore vyawe bihagaze**.

Turiko turibaza ico turi, **ico ciyumviro kidushikana ku ki?** Inyishu ya Tereza ni uko kwibaza ico turi,, bidushikana kw'ishingiro ry'ubutore n'iteka vya zina kiremwa muntu: Turemwe mw'ishusho ry'Imana ata kindi irota atari ukudusesha na yo. Ico turi rero gishingiye mu Mana dusa n'ababaditswemwo. Ni co gituma agateka k'umuntu n'ubwiza bwiwe ari ntangere. Ni co gituma kandi Tereza agereranya umutima w'intungane n'ingoro igizwe n'amabuye y'agaciro kanini cane, abonerana kandi abengerana. Ukumenya ico turi gutuma dutera tumenya ko agateka n'ubutore bwacu bituruka kure, ata kiremwa na kimwe cokwitambika imbere yacu, ngo ni co nkomoko yacu. Umuntu ntiyaremewe kwizingitira kuri we no ku bindi abonesha amaso akumvisha amatwi agakorakora, dushinze imizi mu waturemye kandi adahengeshanya kuguma ashaka kudusesha na we.

Aho ni ho duca dutegera ko Tereza abandanya akatwereka uko duheza tukabigenza kuko kuguma twiyumvira gushika dushike ku Mama Rurema dushinzemwo imizi ari nk'ugutumwa umuzi w'ibuye. Si ivyiyumviro vyacu bimuhamvya, kuko tutagira ico tumugereranya, kandi

adakabakabwa nk'ibiremwa vyoba bifise umubiri. Ku bw'ivyiyumviro vyacu gusa, turumva ko tutomushikira, n'ukuvuga ko tutoshikira itsitso ry'ikinyegezwa n'ubutore bwacu. Ni co gituma Tereza yakoresheje ikigereranyo c'agakura kandi agaca yerekana inzira y'uguhamvya uwo ubwenge bwacu budashikira: umuryango w'iyo ngoro ni igisabisho.

## 2. **Umuryango udushikana kw'iteka n'ubutore bwacu ni igisabisho**

### *Twumvirize Tereza*

> **5**. Tugaruke kuri ya ngoro yacu itatse ubwiza bw'agakura, turabe ingene twoshobora kuyinjiramwo. Umengo ndiko ndadedemba mvuga aya muhe; kuko niba iyo ngoro ari umutima, birumvikana ko ata kwinjira muri wo kuriho, kuko umutima ari wo muntu; birumvikana rero ko umenga ni amajambo atagira ifatiro, kubwira umuntu kwinjira mu nzu asanzwe arimwo. Ariko birumvikana ko hariho uburyo bwinshi bwo kuba mu nzu[13]. Hariho imitima myinshi iguma ku rugo rukikije iyo ngoro, aho na ho mu bisanzwe haba abarariririzi bayirinda, batababaye kuyinjiramwo, kandi batazi ikiri muri iyo ngoro n'ivyumba ifise. Muramaze kwumva mu bitabu bimwebimwe vy'ugusenga bagira

[13] «Habéis de entender que va mucho de estar a estar».

inama umuntu kwinjira mu mutima wiwe; ni ivyo rero ndiko ndavuga.

**6.** Haraheze imisi itari myinshi umuntu w'incabwenge mu bumenyi ntohozamana[14] ambwiye ko imitima itagira igisabisho imeze nk'umubiri wazingamye ukitunatuna, usanga ufise amaguru n'amaboko, ariko ntushobore kubiyegayeza. Kandi vy'ukuri hariho imitima yasinzikajwe n'ingwara kandi yamenyereye kwibera mu bintu vyo hanze yayo, ku buryo umengo ntibigishoboka ko ibivamwo ngo yinjire muri yo nyene, kuko yamaze gufata akamenyero ko kwibanira n'ibikoko bikwega inda hasi, be n'utundi dukoko tugorana twoba turi mu ruzitiro rukikije iyo ngoro, ukamenga iyo mitima ibereyeho gusa na vyo. Isigara umenga ntacoba kigishobora kuyigarura kandi kamere kayo k'ukuri kwari ugusharizwa ubutunzi n'ubutore n'ugushobora kuganira n'Imana. Kandi iyo mitima n'itarondera gutegera no gutorera umuti ubwo butindi irimwo, izomera nk'inkingi y'umunyu kubera idahindukiza umutwe ngo yirabe, kumwe kwa Muka Loti[15].

---

[14] Théologie.

[15] Raba mu kigabane c'icumi n'icenda d'igitabu c'*Amamuko* aho bavuga ko Muka Loti yahindutse inkingi y'umunyu kuko yishinze guhindukira araba Sodoma na Gomorra biriko biratikira aho kubandanya urugendo: «[23]Loti yinjira muri Tsohari izuba rirasiye kw'isi. [24]Umukama araheza arekurira kuri Sodoma na Gomora imigende y'ibirunga n'umuriro bivuye iwe mw'ijuru, [25]aratikiza ivyo bisagara n'ico kiyaya cose, ababa muri ivyo bisagara bose, n'ivyari

**7.** Uko jewe ndavyumva, umuryango wo kwinjira muri iyo ngoro ni igisabisho n'ukuzirikana. Sintandukanya igisabisho tugira tuvuga ibisabisho canke ico tugira mu gacerere, kuko kugira ngo habe igisabisho harinda kubaho ukuzirikana; uwuvuga amajambo atazi uwo baganira, ntamenye ico asaba n'uwo agisaba, ico agira sindacita igisabisho n'aho iminwa yoba iriko irabomborana.

## Dusozere

Duhejeje kwumviriza ivyo, mu vy'ukuri ntitwari dukwiye gusozera iyo tuba twari dufise akanya. Gusozera mvuga rero ni ukubandanya twinovora ingene Tereza yumva igisabisho muri iyo ntumbero y'ukutwugururira ikinyegezwa c'ico turi.

Mu gitabu gitaka impuhwe n'ingabirano nyinshi yahawe n'Imana mu buzima bwiwe, Tereza atubwira ko ku bwiwe igisabisho gituwe Imana mu gacerere kuzuye ukuzirikana n'ukunywana n'Imana, ari «ikiganiro mugirana kenshi, mu kanywababo ka ba somambike ata kibaciramwo, n'Imana uzi ko igukunda»[16]. Ariko rero ntituvyumve gutyo ngo twibaze ngo Tereza yashotse yigisha igisabisho nk'uko umwigisha

---

vyarameze kw'isi. [26]Umugore wa Loti arahindukira araba inyuma, aca ahinduka inkingi y'umunyu».

[16] TEREZA W'I AVILA, *Igitabu c'Ubuzima bwiwe*, ikigabane c'8, agahimba ka 5.

yobigenza mu kuyobora abo yashinzwe abaganisha ku bumenyi. Yatanguye na we kwigishwa ico gisabisho, kigenda kiranyengetera muri we ciganzira ubuzima bwiwe canecane kuva igihe yari amaze umwaka umwe gusa ari umubikira, akamara igihe kitari gito kwa se wabo Petero agiye kwivuza i Besedas. Ico gihe ni ho sewabo yamuha ibitabu nderamutima vy'ugusoma, maze ivyo igitabu kimwe c'umufransiskani yitwa Fransisko w'i Osuna (1492-1541) vyavuga, biramunyura mu kumwigisha igisabisho co kwinjira mu mutima wiwe[17].

Gusenga rero nk'uko Tereza yabibayemwo hanyuma akavyigisha ni ukwinjira muri wewe nyene, ukihererana n'Imana usanga ikurindiriye, kuko yashimye guca urusago mu ntimantima y'umuntu. Kandi ukwo kuba mu muntu bikavamwo ubucuti n'ubugenzi iyo umuntu yemeye kuyisangayo kenshi bagatera abiri mu gisabisho, kenshi ata n'amajambo arinze guserura.

Mu gitabu c'*Ingoro y'Inkoramutima,* Tereza wa Yezu yongeyeko ko igisabisho gifise utwo turanga tubiri –kwinjira mu mutima n'ukuganira n'Imana– ari urupfunguruzo rutwugururirira kumenya aho ubutore, iteka, n'akaranga kacu k'ukuri gahagaze: mu migenderanire ya twe n'Imana mu

[17] Raba TEREZA W'I AVILA, *Igitabu c'Ubuzima bwiwe*, ikigabane c'4, agahimba k'7.

gisabisho, yo yaturemye itwishushanyako kandi idahengeshanya kutuganisha kwishushanya na yo.

Yongeyeko rero ko kumenya ico uri bica ku gisabisho bituma utamenya Imana nk'inkuru mbarirano, ariko uyimenya kuko muhura buhure, arico na co gituma mu kigabane gikwirikira ico twakuyemwo ivyo twasomye Tereza aheza akandika ati: «Ntituzokwigera tumenya neza ico turi ni tutihatira kumenya Imana»[18]. Ari na co gituma twumvise iyi nyigisho ya Tereza tworushiriza gusaba tuvuga tuti:

> «Nk'uko wabigiriye aberanda bawe Agostino na Tereza wa Yezu n'abandi tutazi, dutabaze Mukama igisabisho kitwugururira ukukumenya kugira ngo natwe twimenye mw'iteka n'ubutore wadutatse, tubikuye mu kuganira kenshi na wewe uturindiranye igishika mu ntimantima y'umutima wacu aho ubandaniriza igikorwa c'ukuturema kw'ishusho ryawe udusanisha na we». **Amen**.

[18] TEREZA W'I AVILA, *Ingoroy'inkoramutima*, *Ivyumba vya mbere*, Ikigabane ca 2, agahimba k'9